**Bible lessons.** **Lesson 13** **THE CURSE OF CAIN**
**Genesis 4:1-26**
**Memory verse: "Whoever hates his brother is a murderer, and you know that no murderer has eternal life remaining in him." I John 3:15**

## UMUVUMO WA KAYINI

## ICIRWA CA 16

Itang. 4 :1-26

Umurongo ngenderwako : « ***uwanka uwundi mwene Data ni umwicany, kandi murazi ko ata mwicanyi yogira ubugingo budashira ngo bugume muri we*** » **I Yoh 3:15**

### I.Intagamarara

Imana imaze kurema abantu ba mbere,baravyaye. Batanguye kuronka abahungu babiri Kayini na Abele. Bahora batanga ibimazi ku Mana kuko vyanatuma baharirwa ivyaha. Abeli yatanze ishikanwa ry'amaraso **Abikor. 15:22**, Kayini atanga iry'ivyeze, ryari risanzwe ryemerwa **Abalewi.2 :1-2.** Iry'uyu ntiryemewe kubw'umutima mubi yaritanganye. Ishari n'inzigo ni ubwicanyi nk'ubundi. Ubwicanyi bwiye ntibwanyegejwe inyonga z'Imana, bituma isi yongera kuvumwa, nawe ahindirwa kure y'ubwiza bw'Imana.

### II. Imyifato y'uruvyaro rwavuye kuri adamu

Kayini na Abeli bavutse inyuma y'ukurwa mu caha kwa Adamu na Eva. Bavukanye kameremere y'icaha. Abantu biki gihe nabo buzuye ubugome ; ubwicanyi ; ubusuma ; ubusambanyi bwakaburarugero, ishari …. Kandi bose bakoze ivyaha, nta bugororotsi, nta kwiregura uretse amaroso ya Yesu.

Aba bahungu bari barumvise ivyashikiye abavyeyi babo igihe bacumura ku Mana ikababakura mw'itongo rya Edeni ikabaga igikoko ikabambika igisato caco kugira bahishe ubwambure bwabo. Ariko ico nticabujije ko umutima wa Kayini wuzura ishari kuri mwenese rikamugeza naho amwica. **I Yoh 3:15 « *uwanka uwundi mwene Data ni umwicanyi* »**

Nkuko Kayini yatanganye ishikanwa ubwibone, niko no muri ikimgihe abantu bashobora kuba baja mu rusengero bakaririmba, bagatazira, bakigisha ..., ariko batabikora ngo bashimwe n'Imana, banejerejwe n'uko babikora

bagashimagizwa n'abantu.  Indirimbo zinezereza abantu, ubutumwa buryohera abantu gusa… ibi bihinduka nk'ishikanwa rya Kayini.

**III. Ingaruka zitanu z'icaha ca Kayini.**

Icaha ca mbere si ubwicanyi ahubwo ni ukutumvira, ubwicanyi ni ingaruka yo kutumvira. Icaha kimwe gikwega ibindi vyinshi.  kuri kayini hatanguye ishari→ukutumvira→ubwicanyi→ububeshi

- Kayini yabuze umuvukanyi wiwe kubera ishari n'inzigo. Umurongo 8.
- Yahindutse umubeshi karuhariwe aho yumva ko n'Imana yoyibesha, ico ni igihe imubajije iyo mwenewabo ari. « mwenewanyu Abeli ari he » « sindabizi. Nari umucunzi wa mwenewacu ? » mbega ukuntu iyi nyishu ibabaje. Mbega weho nturi umucunzi wa mwenewanyu canke mwenedata wundi ? ego canke oya.
- Yatakaje urukundo rwa mbere yari yarakunzwe n'Imna. « ushiburuwe kuri yaha hantu wavishirije amaraso ya mwenewanyu. Uzaniye ivu umuvumo. Iki cari igihano gikomeye narirya yari umurimyi. Isi ivumwe ubugira kabiri. Se yatumye ivumwa none nawe ayikwegeye uwundi muvumo wakabiri.
- Yirukanywe aho yari asanzwe aba kandi ari naho yari afitiye imirima yiwe. « uzoba inyererezi » ari naco catumye abwira Imana ati : iki gihano umpaye kirarenze n'uwuzombona azonyica. Inyererezi yicwa n'uwariwe wese.
- Yatumye ubwicanyi buba umurengera kuko aho amaraso amenekeye akwega ayandi.

**IV. Ubuzima bwa kayini nyuma yo kuvumwa.**

- Bwabaye ubuzima bwuzuye agahinda naho yabikoze abishaka. Mw'isi hari hakiriho umuryango umwe gusa, biboneka ko Kayini yategerezwa kurondera umugore muri bashikiwe (nta tegeko ryabibuza**) Itang. 5:4b** «***Adamu…..ayivyaramwo abahungu n'abakobwa.*** »  iyumvire aho baba bari mu biyago bakibuka Abel yishwe na Kayini.
- Ntavyizigiro vy'imbabazi yaragifise. Yabayeho aziko inyuma y'urupfu abikiwe igihano kinarengeje ico yaherewe kw'isi. Ntiyabuze guhora yibuka ijambo Imana yari yamubwiye iti : « ko wijiriwe ; icaha kibunze kurugi. Wokora neza ntiwokwemerwa ? » uku niko ijambo ry'Imana

ridasiba guhanura, ariko abana babantu bakazotabwa mu muriro [**Ivyah.:21:8**]

**V. Guhohoterwa**

Imana niyo ubwayo yanse ishikanwa rya Kayini, ariko aca asimbira kuri Abeli aramwica kandi ata ruhara abifisemwo. Uku niko isi yubatse kuva icaha kigera mw'isi. Akaruta akandi karakamira.

**VI. Gushira mu ngiro**

Naho hari abakomotse kuri Kayini bakiriho mw'isi ; ivyizigiro vyo kwezwa uwo muvumo barahari. Ni mukwihana ivyaha vyose no kwezwa mu maraso ya Yesu. Uwariwe wese aremegwa n'Imana igihe cose aje kuri Yesu. Ukaba hari uwundi mwenedata ugifitiye ishari, umenye ko Imana ikubona nk'umwicanyi. Urashobora gusenga ubu nyene ukakira umugisha uva mu bigsanza vy'Umwami Yesu Krifto.